# Schoenstatt mu Karere k'Ibiyaga binini

**« MU NSEZERANO Y'URUKUNDO, TUBE IBIKORESHO VYA BIKIRA MARIYA MU GUHARANIRA UBWERANDA BWA MISI YOSE »**

**Patiri Yozefu Kentenich, umuvyeyi yatanguje Schoenstatt aratuyagira** **Rusama 2026 - № 5**




«Mawe akira ivyo mfise ku muzirikanyi vyose,
ivyo mvuga n'ivyo nkora,
ivyo nibaza n'ivyo nkunda,
ivyo ndonka ndabikoreye,
ivyo nshinzwe n'ivyo mparanira,
ibinezereza n'ibimbabaza,
ukwo ndi kwose n'ivyo ntunze vyose.
Vyakire ubishire mw'isôko ryeranda ry'inema,
ritemba riva mu gasengero iwawe,
rikamara inyota abahurumbira Schoenstatt.
Ryereke abana bawe witoreye mu rukundo rwawe,
hezagira ibikorwa vyacu, bininahaze Ubutatu Bweranda. » Amen. **(Joseph Kentenich, *Vers le Ciel*, p. 9)**

## Tugaruke kuri iryo jambo

Muryango wa Schoenstatt nkunda, *kumwe n'umwana wiwe mukundwa, Bikira Mariya ni aduhezagire!*

Turinjiye muri kumwe mu mezi ahambaye kandi afise ico yiharije kuri twebwe : ukwezi kwa Rusama, kwamye guhariwe Bikira Mariya. Ni igihe c'inema, igihe ciza co kunagura urukundo rw'umwana afitiye Umuvyeyi wiwe, kandi kabe akaryo ko gushimangira ingingo twigira mu kugendera Insezerano y'Urukundo. Nka Joseph Engling, turatumiriwe gushikanira « amashurwe » yacu Bikira Mariya. Ariko ayo mashurwe si ibimenyetso gusa : agaragaza ubuzima bwacu koko, ivyo dushiramwo inguvu buri musi, utwigoro, ingingo dufata ngo duhinduke ibikorwa vyacu vy'urukundo, dushikana kuri Altari y'Urukundo nk'ishikanwa rizima. Mu karangamutimana k'Umuhari w'Ubutumwa wa Schoenstatt, iyo ngendo iratomoye : ni iy'intererano dutanga mu kigega c'inema, ari yo ntimamatima y'uburyo bwacu bwo gusenga n'iyo kubaho mu bucuti dufitaniye na Bikira Mariya. Igaragaza ukuri nyakwo : Bikira Mariya ntashaka gukora tutamufashije. Arabitwibutsa aduhimirizanya ubugwaneza : « Nta na kimwe nshaka kurangura tutari kumwe. Nyereka ko munkunda vy'ukuri. » Kugira ngo twishure ako kamo, turatumiriwe imbere ya vyose kugira ico twiyemeje mu kwiha indero, duhereye kuri twebwe nyene, mu kurwanya intege nke zacu, mu kugendera ingeso nziza be no mu gushira imbere ivyotuma dutera imbere mu mutima. Hejuru y'ivyo hiyongerako ingene twitanga mu butumwa : gufasha abandi, gushikana no kugendera ukwemera aho tubaye be no gushingira intahe urukundo rw'Imana mu buzima bwacu bwa misi yose.

Intererano mu kigega c'inema zigaragaza mu buryo busanzwe ariko bw'inkoramutima mu kwandika ku gapapuro k'impande zibiri: kuri rumwe, twandikako ivyo dushikanye — nos efforts, utwigoro twacu, ivyo dukora mu gufasha ndetse n'ingingo zitomoye twifatira — ku rundi ruhande, twandikako ivyo dusaba be n'ivyifuzo vyacu. Yamara, turazi ko kenshi dushimika cane kuvyo dusaba gusumba ivyo dushikana. Ni vyiza kandi birafise akamaro guhereza ivyifuzo vyacu Bikira Mariya kandi mu maparuwase menshi, impapuro zo kwandikako ivyiyumviro, dukunze kwita « imitwaro », ziriho. Ariko ubudasa bwacu muri Schoenstatt buhagaze ubwa mbere na mbere kugira ico dushikanye twebwe ubwacu. Turatanga imbere yo gusaba. Duhereza Bikira Mariya ivyavuye mu nguvu zacu, naho twoba utuntu twibaza ko ata kamaro, nawe, afatiye kuvyo twamushikaniye, akavotorera inema abo bose baza bamugana.

Gurtyo, mu gushikana mu kigega c'inema, tuba turiko twimenyereza kuba mw'ibwiriza nshimikiro : gukunda, ni ukwitanga. Ntituguma mu kwemera gushimikiye ku majambo gusa no ku bisabo, ariko twinjira mu ngendo yo guhinduka mu mutima. Bikira Mariya ntashaka umutima wacu mu majambo gusa ; ashaka ibikorwa vyacu bigaragara, guhitamwo guhinduka, kuzigama ibanga kwacu mu tuntu dutoduto be n'utwigoro twacu twa misi yose two kwitagatifuza. Ni muri ukwo kuzigama ibanga mu buryo busanzwe be no mu guhozako dushobora gutsimbataza vy'ukuri Insezerano y'Urukundo. Muri uku kwezi kwa Rusama, ndabatumiriye rero, banywanyi nkunda b'Umuhari w'Ubutumwa wa Schoenstatt, ngo mufate nka nkama n'umwitwarariko mwinshi uwo mugirwa : kwitwararika bimwe biboneka utwigoro two kwiha indero, kugira umwitwarariko mu bikorwa biboneka kubo mujejwe, guhereza utwigoro twanyu n'umutima wo kwitanga tutitangiriye itama, kandi vyose tubishikanire Umuvyeyi wacu n'ukwizera kwinshi. Muri utwo dutoya twamushikaniye azomenya ingene akuramwo inema

nyinshi zigirira akamaro twebwe nyene, Ekleziya be n'isi yose. Ese uku kwezi kwa Rusama kwobera umwe wese muri twebwe akanya kwo kwinagura mu kwemera. Ese Umuvyeyi Atangarirwa Gatatu yogira ko tuba abana bakunda koko atari mu majambo, ariko mu bikorwa, ivyamwa biboneka vy'ubuzima bwo mu mutima, ukwigora be no kwitanga. Nuko rero Insezerano yacu y'Urukundo izotera imbere kuruta, ngo Imana ininahazwe, imitima irokoke, isi nayo isagwe amahoro. **(Patiri Jean Bosco Habonimana, Umuyobozi w'umuhari wa Schoenstatt au Burundi)**

**Amakuru y'umuryango wa Schoenstatt**

**-- Igisata c'abafaratiri**

Kuva kuwa 16 gushika 19 Ndamukiza 2026, harakoraniye ku musozi wa siyoni i Gikungu, abaseminari bari mu gisata c'abaseminari bakuru begukiye ama Diyosezi baba Schoenstatt mu mwiherero wabo. Uyo mwiherero washimikiye ku nyigisho 2. Iyambere yatanzwe na Patiri Félicien NIMBONA ku civugo: " Inyifato y'umu schoenstatt imbere y'ivyiyumviro vy'ino si ya none". Iya 2 yatanzwe n'umushingantahe Fidèle BARINAKANDI, ku civugo : " Insezerano y'urukundo hamwe n'intambwe zayo zine ". Mwomenya ko muriryo hwaniro abaseminari 2 bambaye akajabitugu, 7 bagira insezerano y'urukundo, 2 nabo banagura indagano zabo nk'abanywanye bitanga. Tubibutse ko iryo hwaniro ryari ryitabwe n'abaseminari 57 bavuye mu ma Diyosezi yose y'i Burundi. ***Faratiri Ingabire Bruce le Dou***

***-- Ubutumwa bwa Bikira Mariya agendera ingo***

Kuva kuwa 10 gushika kuwa 12 Ndamukiza 2026, abatumwa ba Bikira Mariya agendera ingo bashika 600, bo muri diyoseze BURURI bari mw'ihwaniro ryabo muri paruwase Buyengero. Inkuka y'imisa yo kwugurura iryo hwaniro yaherejwe na Patiri mukuru wa paruwase Buyengero isaha 11 n'igice. Muri iryo hwaniro hari hategekanijwe inyigisho zitatu : 1. Ku ndulujensiya ; 2. Ku kwizera ; 3. ku Nsezerano y'Urukundo. Inkuka ya misa yo gusozera iryo hwaniro yaherejwe na Patiri Innocent Irabandutira (Umwibutsamana muyobozi w'Umuhari w'Uburtumwa wa Schoenstatt be n'ubwo butumwa nyene muri diyoseze Buriri akaba na Patiri mukuru wa paruwase Buruhukiro), aho imiryango 15 yaronse umuhezagiro wo gutangura ubwo butumwa. Kuwa 11/4/2026 ; abatumwa ba Bikira Mariya agendera bo muri diyoseze Bubanza barahuriye kuri paruwase Bubanza mu nama yabo. Kuwa 19 /04/2026 naho, abarongoye ubwo butumwa baragendeye abari muri ubwo butumwa bo muri paruwase Karusi yo muri diyoseze nkuru ya Gitega aho 28 muri bo banywanye na Bikira Mariya mu Nsezerano y'Urukundo. Kuri iryo genekerezo nyene abo muri diyoseze Rutana barahuriye muri paruwa Shanga. ***Candidate Chrétienne Colombe IRANGABIYE***

**-- Igisata c'Urwaruka rw'abahungu : Yubire y'Inzahabu**

Kuw'Imana 12/4/2026 kuva 8h39 gushika 10h, abagize umurwi utegura Yubire y'inzahabu y'Urwaruka rw'abahungu ba Schoenstatt, barakoranye mu nama yabo igira kabiri kuri Mont SionGikungu, bayobowe n'umukuru wabo umushingantahe NDAYIZEYE Leonidas. Bari bafise ihangiro nyamukuru ryo kurabira hamwe aho ibikogwa vyo mu migwi mitomito bigeze.

Yatanguye ahikaze abitavye Inama anabakengurukira ku kigoro bagize, agirako amenyesha ko ihangiro ry'uwo munsi baririrabira mu bice bibiri nyamukuru : ibimaze kurangurwa be n'ivyihutirwa. Muri abari mu mirwi itandukanye bamaze kuvuga aho bateje ikivi rusangi twasanze koko ibikogwa vyaratanguye tukavuga cane muri commission Musique aho basizeho ibizisungwa mwihiganwa ryindirimbo ningene bizokurikiranwa muma diocese. Kubijanye nukurondera uburyo bw'amafaranga hagiye gusohoka amakete yuguterereza ahombere abari muri comite bagiye biyemeje gufata iyambere muguterera uburyo bwibanze. Kubijanye nukumenyesha urubanza hagiye kujaho umugwi munini uhurikiyemwo abagabo nabasore bakuriye muri schoenstatt mukungurana ivyiyumviro. Mugusozera twobamenyesha ko Inama yamere yari yabaye igenekerezo rya 22/3/2026 iyobowe na Patiri SIBOMANA Samuel Umwibutsa Mana w'igisata c'ugwaruka ariho hanashinzwe ama commission agize comite itegura iyo yubire . ***Ferdinand NKURUNZIZA***

**--Igisata c'abagabo n'abasore ba Schoenstatt muri Diyoseze Bubanza**

Ku wa 18/4/2026 no ku wa 19/4/2026, Léon Dusengeyezu wo mu biro bikuru vy'umuhari kuri Mont Sion Gikungu, yaragendeye abaschoenstatt bo mu bisata vy'abagabo n'abasore bo muri diyoseze Bubanza. Bahuriye mu bibanza bibiri : Umusi wambere bahuriye kuri Paruwase Bubanza, ahahuriye amavicariya ya Gihanga na Bubanza, Bukeye bwaho, abo muri vicariya ya Cibitoke nabo bahuriye kuri Paroisse Cibitoke. Aho hose, inyigisho yiwe yagarutse ku civugo c'umuryango wa Schoenstatt c'uno mwaka, ariko ashimikiye ku Nsezerano y'Urukundo irangwa n'amashikanwa dutanga mu kigega c'inema. Inyuma y'ibibazo bitandukanye n'inyishu, barayagiye hamwe aho bagejeje kwitegurira ihwaniro ryo ku wa 6-9/8/2026 ry'abagabo n'abasore rizobera i Gitega. Vyaribonekeje ko baratanguye kwegeranya ivyo basabwa.

***Léon Dusengeyezu***

***-- Schoenatatt -Diyoseze Muyinga : Ihwaniro ry'indongozi muri Diyoseze ya Muyinga***

Kw'igenekerezo rya 10 gushika 12/04/2026 muri paruwase ya Muyinga na Ruhehe zigize Diyoseze ya Muyinga harabereye ihwaniro ryahuje abarongozi b'umuhari wa Schoenstatt muri Parruwase zose, abaserukira Vikariya bose n'abaserukira ibisata vy'umuhari muri Diyoseze mu ntumbero yo kwigishwa no kurimbura aho bagejeje ikivi mu gice ca mbere c'umwaka wubutumwa utangurana n'indwi ya Gitugutu no kurabira hamwe ibisigaye kurangurwa imbere yuko

umwaka urangira.Mu nyigisho zatanzwe iya 1 yari : Akamaro k'ingendo nyeranda, 2.Akaranga k'umuhari 3.Yubire y'imyaka 100 y'umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt, 4.Ibiranga indongozi.Iruhande yivyo vyose abari bahuriye i Muyinga bararose akaryo ko kugabana Indurujensiya ya gose muri shapere y'ababikira ba Mariya wa Schoenststt, abari nabo mu Ruhehe ihwaniro bakaba barisozerereye ku gikorwa co kubaka urugu rukikije imirima ya Paruwase.

***Cyriaque Hategekimana***

Kandikwa n'Ibiro vya Schoenstatt mu Burundi n'ibihugu bibanyi, Mont Sion Gikungu, B.P. 374 Bujumbura, Tél. (+257) 22 23 40 72, Mobile:(+257) *65 161 983 * E-mail: schoenstatt.grandslacs@gmail.com*, Mont Schoenstatt Gikungu, B.P. 2240 Bujumbura. Tél. (+257) 22 23 06 89, Compte bancaire : BCB, Nom : Pères de Schoenstatt, N° 201-0033220-93, Mention : Centrale de Schoenstatt, Agatererano katavuna ku Nomero : amafaranga 100 y'amarundi. Site web: www.pères-schoenstatt.org

**Annonce :** *Nous remercions de tout cœur ceux (celles) qui se sont acquitté(e)s de la contribution minimale demandée pour la Lettre d'Alliance et, saisissant la même occasion, nous demandons à tous les groupes sans oublier les particuliers (abonnés) d'emboîter les mêmes pas. Que la MTA vous comble ses grâces.*